Impano muhawe

Nturere amaboko! Komeza!



Gabriele

Nturere amaboko! Komeza!

Igisomwa ca Gabriele, Umuhanuzi n'umutangabutumwa w'Imana muri iki gihe cacu

1ère édition en Kirundi : mars 2019
Traduit de l'allemand
Titre original :
Lass nicht los!

Pour toute question se rapportant au sens,
l'édition allemande fait référence

© Tous droits réservés
Gabriele-Verlag Das Wort GmbH

Nturere amaboko!
Komeza!

Nturere amaboko, komeza! Abantu benshi barahungabana iyo bumvise ijambo “Imana”. Ubutumwa “Nturere amaboko, komeza!”, ntaco buhuriyeko n’ibigirwamana amadini amwamwe yubakiyeko, iyo mana vyitwa kwiba mu bintu vyakozwe n’abantu, imana vyitwa ko ikeneye abavugizi bayishikanira ivyipfuzo vy’abantu, nkuko amategeko akomoka kuvyipfuzo vy’amadini. Kwizera ivyo bisigura gukurikira nk’impunyi ziyoborwa n’impumyi, kuko inyigisho ya Yesu w’i Nazareti itanga ubutumwa budasa n’ubwabo. Butubwira ko ivyo Yesu yigishije bisobanutse.

Yaratwigishije isengesho rya “Dawe wa twese” kandi aratwigisha ko mw’isengesho dushobora kuyaga n’Imana, Se kandi data wacu. Biciye kw’isengesho rya “Data wa twese”, Yesu w’i Nazareti yaratwigishije

kumenya Imana, Data wo mw'ijuru, kuri We, mw'isengesho, dushobora kandi dutegerezwa kwiyerekezako atamunyedini duciyeko. "Data wa twese" isengesho ritunze inyigisho kubafise ivyiyumviro vyiza, batizeye ubwenge buhambaye ntibarivuge nk'imashini mu gusenga, atantumbero ikomeye yokwubaha umuremyi wa vyose.

Imana, Data wa twese kuribose ntiyoborera abantu munyubako, kuko biciye mu muvugishwa n'Imana Esaya, kuva kera yaravuze: *"Ijuru n'intebe yanje, isi n'inda-va y'ibirenge vyanje. Mwoshobora kunyubakira inzu nki?"* Mpwemu yidegemvya, Mpwemu w'ukuri, ntaba mw'isengero zubatswe n'abantu. Yesu Kristo yatuyoboreye kuri twebwe nyene, igihe yavuga, mu majambo asa n'aya, ko umuntu ari ingoro y'Imana kandi ko Nayo iba mu muntu.
Impanuro yiwe yo kwiherera mucumba gitoyi c'agacerere tukahasengera Imana mu gacerere, Data wo mw'ijuru, aba muri

twebwe, aduha inkomezi mugihe turi mu ngorane, mu mibabaro no mukwihebura, kuko inkomezi n'imfashanyo biri mw'isengesho ry'agacerere. Yesu avuga: *"Igihe ushaka gusenga, injira mu cumba cawe cihererey*e *cane, wugare umuryango wawe kandi werekeze isengesho ryawe kuri So muri kumwe mw'ibanga kandi So, abona mumpisho, azokwishura"*.

Uwiyerekeza ku nyigisho za Yesu w'i Nazareti aratahura insiguro y'aya majambo: "Ntucike intege, komeza!", bisigura muyandi majambo kwiyerekeza munyigisho ya Yesu w' i Nazareti.
"Ntucike intege, komeza!", iryo ryungane ritoyi ryerekeza k'umutima wacu. Rifise insiguro yimbitse kubantu bizera munkomezi zihambaye zitubamwo kandi rishoboye kuduha inkomezi nyinshi, imfashanyo n'ubushigikizi.
"Ntucike intege, komeza!", bisigura: mwifatanye cane n'Imana iba muri mwebwe

no muri twese, Mpwemu yidegemvya w'urukundo. Ntucike intege, komeza! Mubwire amasengesho yawe uri mu cumba gitoyi gitekanye. Mubwire amasengesho yawe mu bihe bigoye, vyukuri igihe ufashwe n'ukwiheba.

"Ntucike intege, komeza!" bifasha kugira gutekana imbere, agacerere n'ubugwaneza bidufasha kumenya kw'Imana iriho.

"Ntucike intege, komeza!" Senga Imana kugira igufashe kuva muvyiyumviro n'ibigumbagumba bibi. Senga Imana igihe ufashwe n'ukwihebura, urwaye canke uri mu kibazo. Senga igufashe kuronka amahoro, umwidegemvyo n'ukuyumvira. Ntucike intege, komeza!
"Ntucike intege, komeza!" Senga Imana muri wewe igufashe guha intumbero ibigumbagumba n'ivyiyumviro vyawe, inyifato yawe muri rusangi. Yisenge igufashe kubona no gutahura ibintu mu buryo

bwimbitse, uronke guhumuka, ube uwidegemvya kandi anezerewe. Ntucike intege, komeza! Imana n'umuco, umuco wayo ushaka kukugira umunyamuco.

Ntucike intege, komeza! ifatanye bikwiye n'inkomezi zihoraho muri wewe kuko uri ingoro y'Imana kandi Imana muri wewe n'isoko rihoraho ry'ubuzima buhoraho.
Ntucike intege, komeza! gumana n'Imana n'ubwo woba uyikekeranya. N'ubwo biruko, yiyegereze cane, kuko iraguha inkomezi kandi igufashe. Ntucike intege, komeza kuko umuco mutoyi uraserutse, uvuye ahantu.

Ntucike intege, komeza! n'igihe woba wibaza ko bose baguhevye menya ko hariho uwo murikumwe, Imana ikuzi, ikunda icuri nyakuri n'Imana imwe iguha inkomezi n'umwete. Ni Mpwemu waso wa Data wa twese wo mw'ijuru muri twese.
Nico gituma: "Ntucike intege, komeza!"

Ntucike intege, komeza! ibwina cane mu mushasha w'umwumwe wese hariyo itunga rinini turonka ubudasiba.

Ntucike intege, komeza! senga, n'igihe amasengesho yawe yoba atimbitse cane. Senga, ntucike intege, komeza!

Ntucike intege, komeza! senga kugira ube umuntu mwiza kandi atahura mugenzi we. Senga kugira uronke iciza mukibi, kuko mukintu cose hariyo izo mpande zibiri.

Ntucike intege, komeza! senga, iherere mugacerere, kuko Yesu w'i Nazareti yatwigishije ico dutegerezwa kwama twibuka: *"Igihe ushaka gusenga, injira mu cumba cawe cihererereye cane, ugara umuryango wawe kandi werekeze isengesho ryawe kuri So araho mu mpisho. Kandi So, abona mu mpisho, azokwishura"*.
Ntucike intege, komeza mw'iterambere ry'ubwiza n'amahoro. Ariko ivyo ntibisigura

guhora imbere y'ikibazo kigaragara canke mu bintu vy'akarenganyo, wanashima bibabaza; dutegerezwa rero kubivugana ariko dukoresheje ugutahura, ukwirinda no guharira kuko uwubona ibwina arazi ko mukibi cose harimwo kandi iciza. Nicogituma: ntucike intege, komeza!, guma mu gacerere kandi wimenye: Imbere yokuvuga, birahambaye ko upima amajambo ugomba kuvuga kandi ubwire mugenzawe icakamaro kandi ushobora kwemera bibe gutyo no mubikorwa vyawe.

"Ntucike intege, komeza!", bisigura kandi gusuzuma, vyumwihariko mu biganiro n'abagenzi bacu, kugira dutorere hamwe inyishu z'ibibazo, ingorane n'uruhagarara twahuye navyo, vyaba ivyacu canke ivyamugenzi wacu. Vyoca biba inyungu kuri twese igihe dushoboye gufasha mugenzi wacu kuronka inyishu z'ibibazo vyiwe igihe abishaka. Dutegerezwa iminsi yose kwiyigisha, kugira twige gutahura ico

umunsi wacu ushaka kutubwira kandi ubutumwa bwose umunsi uduhaye burafise ico burimwo, kuko vyose, vyose vyose biri kuri iri hame “kurungika n’ukwakira”.

Ico umunsi uzana ni ubutumwa duhawe, kuko n’umunsi wacu, kandi umwe wese abaho umunsi wiwe bwite. Nimba dushaka kumenya ibitwega muvyo twumva kandi tubayemwo, dutegerezwa kuvuga uku: “ugurura ubutumwa” twarungikiwe buri munsi, bisigura kwiyumvira kunsiguro zibiri muri ubwo butumwa turonse. Muri buri butumwa, harimwo inyishu n’umuti, n’ubwo abantu batuzako nk’akarorero canke igihe twumvise ibivugwa kubandi bantu. Ikidukorako muri icogihe, canke ikitubabaza kikadushira mw’ishavu, nico kizanye ubutumwa twarungikiwe kandi harico gishaka kutubwira.
N’uko, turasubiramwo: ibiri mu bigumbagumba, iciyumviro canke ijambo, ni ubutumwa burungitswe. Haca haba ikibazo: ni

nde none yakira ivyo twebwe canke abandi barungitse? umwe wese yakira ico yarungitse; nirwo rugezo n'uburemere bw'ivyo yarungitse.
Nico gituma buri munsi dutegerezwa kwibaza kuvyo turungika kandi tukibaza uburemere bw'ibigumbagumba vyacu, inyiyumvo zacu, ivyiyumviro vyacu n'amajambo yacu, k'uwo tubirungikiye.

Ariko kandi: biciye mubigumbagumba n'ivyiyumviro ndungika, nshaka gushika kuki kuri bagenzi banje kandi nabo banyishura iki, bingarutseko nakira iki? dufatiye k'uburemere bw'ivyo twarungitse kandi ko ibisa bisabiranira, birashoboka ko aba bantu bakomeza ubugirakandi ivyo bintu mu bigumbagumba n'ivyiyumviro vyacu.

Dusubiremwo iki kibazo: Ni nde ndungikira kandi ninde yakira ubu butumwa? umwe wese yakira ico arungitse, igihwanye n'uburemere bw'ivyo yarungitse.

Ariho hava iyi mpanuro : Gaba! Buri munsi wose, n'umunsi wawe. Urungika iki? Wakira iki?
Vyukuri, twaramaze kugira ubushakashatsi twese kuvyiyumviro vyiburuka muri twebwe kandi bikadutera kwibaza: "biva he?" ariko aho kuvyiga kugira dutore inyishu tugaruka kenshi kuvyiyumviro vyinshi bisa navyo. Ibiba mw'isi y'ibigumbagumba n'ivyiyumviro vyacu bituvako. Nimba ibitugize, integuro zacu, ari mbi, tuzoronka ibintu bibi bihwanye navyo. Ubundi, igihe turungika ibintu vyiza, twakira rero vyiza. Ivyo rero bituvako, ntabwo biva kuvyamugenzi wacu yiyumvira canke arungika.
Niho hava icivugo cacu: "Ntucike intege, komeza!"

"Ntucike intege, komeza!", uwo muhamagaro ushaka kudukangurira ku kwiyerekeza ku Mana, irungika kw'isi no mw'ijuru ubwenge buhambaye, inkomezi ziri muri twebwe. Imana ibikora kw'isi no

mw'ijuru izi vyose. Tuyegurire ubugingo bwacu mukwiyerekeza kumabwirizwa y'ubuzima muvyiyumviro vyacu, mu majambo yacu n'ibikorwa vyacu, ku mabwirizwa y'ubuzima. Turashobora nk'akarorero kwisunga amabwirizwa y'Imana yatanzwe biciye kuri Mose n'inyigisho za Yesu w'i Nazareti. Imbere ya vyose inyigisho yatangiye ku musozi. Tuzorungika rero ivyiza kandi tuzokwakira ivyiza birimwo imfashanyo n'inyishu, kuko uwuba muri twebwe, Kristo w'Imana buri munsi ariho kugira adukorere yongere adufashe. Nico gituma: Ntucike intege, komeza!

Ntucike intege, komeza mu bibazo vyose urimwo, ingorane zose urimwo n'imyitwarariko urimwo.

Ntucike intege, komeza naho uyu munsi ufashwe n'ukwihebura, wasinzikaye kandi wibaza ko bose baguhevye, atawuvuyemwo. Urashobora kwizera ko hariho Imana imwe itaguheba namba, n'Uhoraho, Imana muri wewe niyo Rukundo.

Nico gituma: ntucike intege, komeza. Ntucike intege kuko inkomezi nziza, inkomezi z'Imana ziri muri vyose. Imana ikomeye y'urukundo itanga kw'isi no mw'ijuru, ifasha mu bihe vyose. Nico gituma: Ntucike intege, komeza!
Dutegerezwa kenshi kwibaza ukuntu vyose bifatiye kunkomezi kandi tukibaza ikibazo gikurikira: n'inkomezi zingana gute ziri muvyo narungitse? Kuko, ico nico cerekana umutwaro wiwe.

Twoshobora kandi kwibaza n'iki kindi kibazo: "Ndungitse iki? Bo bakira iki bivanye n'ivyo narungitse?" kandi "Bo baza kurungika iki kingarukako?"
Twibaza k'ukuntu ubutumwa burungitswe n'umwumwe muri twebwe umunsi k'uwundi ntaco bwica. Umwanya uwo ari wo wose, izo nkomezi ziratugarukako. Ico kirashobora kurema gituma, eka mbere n'urukwirikirane rw'ibituma n'ingaruka, ibibibwe n'ivyimbuwe.

Nk'akarorero, igihe twisanze turikumwe n'umuntu umwe canke n'abantu benshi dusangiye ibibazo kandi nabo bakaba bakira ubutumwa bubi, dukomeza ikibi kandi muribo. Baca biha kuguma babisubiramwo kenshi kugira ngo kumbure bibashikane kukwitwara m'uburyo butabereye canke bunyuranye n'amategeko. Twifatanije n'abo rero kugice c'ubutumwa bwacu bwabateye gukora ivyo bintu. N'ico gituma ugabe! Ikibi gikwega ikibi kandi bigakomezanya, nkako n'iciza gikwega iciza kandi bigakomezanya.

Nkuko ivyo bihejeje kuvugwa vyose, vyose bigaruka kuri twebwe vyaba bibi canke vyaba vyiza. Umwe wese yihitiramwo icakora mu buzima; dushatse twiyerekeza ku Mana, umuremyi w'isi n'ijuru, Imana muri twebwe kandi tukaronka inyishu nziza mu bibazo bitandukanye ducamwo ku munsi, dutunganye ingeso zacu mbi gutyo turaronka iminsi yose inkomezi nziza, bishobora no kudufasha guheba ikibi.

Uwugira imyiyumviro, ivyiyumviro n'amajambo mabi ategerezwa kwitega kuronka ikibi. Twoshobora kuvuga vyukuri ko umwe wese kugiti ciwe ariwe yironderera umunezero.

Sikubwigihamana Imana yaduhaye amabwirizwa yayo biciye muri Mose. Sikubwigihamana kw'umwana w'Imana yabaye muri twebwe yitwa Yesu w'i Nazareti kugira atuzanire ubutumwa bwiza bw'ubugingo nk'iciyumviro gikomeye c'ubuzima mu nyigisho Yesu yigishiriza ku musozi.

Amabwirizwa y'Imana n'inyigisho za Yesu w'i Nazareti biraduhanura ku kwiyerekeza ku Mana umuremyi w'isi n'ijuru, Mpwemu ahoraho, yidegemvya kuko Mpwemu wenyene yidegemvya, Imana nyakuri, arashobora kudufasha kumenya ico umuntu wese muri twebwe ategerezwa kwiga kugira ashikire imico myiza, ikenewe.

Biratwigisha, nk'akarorero, ukuntu dushobora kwitwara kuri mugenzi wacu canke

kandi kukuntu dushobora kuronka inyishu nziza mu bintu bitandukanye duhura navyo ku munsi, inyishu zidushikana ku gukura.
Ishobora vyose, Imana, igaba ubuzima bw'ibikoko n'ibimera; isi yose yuzuye ubutumwa bwayo.
"Ntucike intege, komeza!" Ivyo bisigura kandi ko mu bihe vyose dutegerezwa ubwambere kuzigama agacerere kugira twiyegereze kw'Ishoboravyose, Imana Yo ariyo Mfashayo rudende nyakuri.

Imana, Mpwemu wa Data wo mw'ijuru azi ibintu vyose ashaka kudushigikira no kudufasha, naho kenshi idukorera ibinyuranye n'ivyo twipfuza. We, Mpwemu w'inkomezi, arazi ibikenewe ubwambere ku mushaha, kandi araba ikiri ciza ku mwana w'umuntu.
Uwushaka kwiga gushikira imico myiza kandi no gushobora gutondeka ubushobozi bwo kurungika ku kiri ciza kandi kijanye n'ubugombe bw'Imana, arashobora

mu bundi buryo kwihweza mu biba mu bwonko. Kuko uwishavuza mugihe ahungabanijwe mugacerere kiwe, arashobora kubimenya kandi ubutumwa bwigaragaje mu mubiri wiwe. N'ikimenyetso kitwereka ko dukwiye gusuzuma inyiyumvo n'ivyiyumviro vyacu kugira muvyukuri dutore uburemere bw'ubutumwa twarungikiwe. Nimba twipfuza gutanga intumbero nshasha kubuzima bwacu, dutegerezwa mu bundi buryo guhindura urutonde rw'igicapo c'ivyiyumviro vyacu.

Igihe tugize iyerekezo rishasha, rizana urutonde rushasha ntabanduka, dutegerezwa umbwambere kwiyerekeza kw'Ishoboravyose, Imana. Uwipfuza gushikira imico myiza, ashobojwe n'inkomezi zisumba vyose, azobona vyihuta ko igihe ikibi gishaka kwiyinjiza mw'isi y'ibigumbagumba vyiwe, iciza kiraza kigafasha: "Ntucike intege, komeza! Jewe, urukundo muri vyose n'ubwenge ndi ku mpande zawe. Menya ivyo urungika kandi ushire k'urutonde ikibi

cose". Ijambo rivugira ibwina cane ahejejwe rivuga: "Iyerekeze k'urugezo rwo gutanga ivyiza kugira uronke bivuye k'ubutunzi bw'iyitanga ariyo Ndi, Jewe, ishobora vyose, Mpwemu ari hose, Imana muri wewe".

Nimba tuvyipfuza kandi tubonereho akaryo ko kwiga buri munsi biciye kuvyo duhura navyo, kugira dutange iyerekezo rishasha ku buzima bwacu, umwe wese muri twebwe azokwiyumva bivanye n'umwanya ko akeneye iminsi yose kuyoborwa n'isoko rihoraho ritanga ubwiza, icubahiro, ugushigikirwa n'imfashanyo. Ariko ivyo bitwumvisha kandi ko dutegerezwa kugira isuzuma rya buri munsi ku ndero kandi ko dutegerezwa kubungabunga inkomezi, tuzikuze zibe inkomezi zitunganye cane, zifise kandi ubutumwa butunganye.

Tubisubiremwo: ko ikiremwamuntu citwara nabi canke neza, haba munyiyumvo, mu vyiyumviro, mu majambo no mubikorwa, nico cishiriraho ubwaco ibigishikira.

Nico gituma uyu muhamagaro usubirwamwo ubasaba kwiyerekeza buri munsi: Ntucike intege, komeza, kuko ubwenge muri vyose butunganye, Imana, iba muri wewe!

Turibaza canke turavuga vyihuse cane ko mugenzi wacu ariwe aduteye ingorane iyi canke iriya itubangamiye, canke kugihe iki canke kiriya kitumereye nabi. Ni gake turondera kumenya uruhara rwacu muri ivyo bihe bibi. Ariko, igihe dufashe akanya ko kwisuzuma kandi tukiyumvira imbere yo kuvuga, tuzobona vyihuse ko natwebwe ubwacu dufise uruhara muri ivyo bitegerezwa gutorerwa inyishu.

Uyu muhamagaro: “Ntucike intege, komeza!” urashobora kutujana buhorobuhoro tukaba ababitahura kandi tukimenya twebwe ubwacu, mugutahura kurimwo ibikorwa: sincitse intege kuko Ishoboravyose, Imana, Urukundo, irungika muri jewe

ubwiza n'imfashanyo, kandi ko nshobora kuronka ubwo buntu buhambaye bw'Imana.

Ni gute twokwinjira mw'ihanahana ry'amakuru n'inkomezi zitunganye kandi tukazakira? Kugira tubishikeko nyezina, inzira imwe ishoboka n'iyo kwongera gushira k'urutonde uburyo bwo kurungika. Urwo rutonde rushasha rero ruzoba ari urwo kugira ubushakashatsi nyabwo kubiri mu mabwirizwa cumi y'Imana n'inyigisho zo kumusozi za Yesu.

Kugira dutange iyerekezo rishasha ubuzima bwacu, ntidutegerezwa kwibanda kugusoma amabwirizwa nkuko basoma igitabo mu buryo busanzwe, canke nyene nk'uwuzingurura impapuro. Kugira dufate iyerekezo rishasha, hategerezwa kuba ugutahura vyimbitse amabwirizwa y'Imana n'inyigisho yo ku musozi, kandi muri uwo mwanya nyene tukaraba ko ibiri murivyo bihwanye n'ivyiyumviro vyacu, amajambo n'ibikorwa. Nibwo buryo bwonyene bwo

gutahura ivyo twiyumvira buri mwanya, kandi nibwo buryo bwonyene dushobora guteza imbere ubushobozi bwo kurungika bwacu.

Abantu benshi ni gake biyumvira kuvyo barungika umunsi ku munsi no kuvyo bakira nk'ingaruka. Isi y'uno munsi isa n'akagunguru karimwo aside muriko aside ari ubushobozi bwogirira nabi igitigiri kinini c'abantu. Kandi igihe ubushobozi bwo kurungika bw'umuntu bugizwe n'agasotoro, n'ikihe yokwakira nk'ikimugarutseko kitari agasotoro nyene. Mbega vyomushikana hehe igihe yokomeza kurungika ibigumbagumba nkivyo? Mu bihe bigaragara, uwukora nk'ivyo ashobora gukwega ibihari, kandi n'ubusuma, intambara, ukugandagura no kwica. Ntibibuze ingaruka mbi kurungika ivyiyumviro bifise ubushobozi bubi.

Birazwi uyu munsi ko ivyiyumviro navyo ari inkomezi turungika kandi zikatugarukako hanyuma. Ndabasavye ntimwihute kuvuga: "Ivyiyumviro vyanje biri k'urutonde

ku rugezo runini". Ntitwibeshe! Ibigaragara ku maso rimwerimwe biraduhenda.

Twari dukwiye gutahura ko igihe twihweza ibiri muvyiyumviro vyacu, ibiba inyuma y'ivyiyumviro vyacu. Akenshi, turasuzugura ico kintu mukwibaza ko ari ibigumbagumba, canke ivyiyumviro ndenzarugero, twategerezwa gutahura ko nayo ari inkomezi yikwije. Bivanye n'igihe, umuntu ahinduka ico arungika. N'inyifato yiwe rero, mubihe kanaka avyirengagiza bitoroshe. Nicogituma, buri munsi, duhwana n'iki kibazo: Mbese ncike intege canke ndeke? Muri ivyo bihe, umutekano umwe nyakuri ni Ishoboravyose, n'ubwenge muri vyose, bwitwa Imana mu burengero.
Nkuko twabibonye, umwe wese yishiriraho ubuzima bwiwe bwite kandi ni kizigenza w'ivyiyumviro vyiwe, w'amajammbo yiwe ku majambo no mubikorwa. Nico gituma uyu muhamagaro usubirwamwo ubudasiba: iyerekeze kw'Ishoboravyose, Imana

kandi shireho urutonde rw'ubuzima bwanyu muzi n'inkurikizi, twisunze ivyo Imana yaduhaye biciye kuri Mose na Yesu mu nyigisho zabo, canecane mu nyigisho yo ku musozi.

Bamwe baratahuye atagukekeranya ko atamfashanyo boronka ivuye hanze. Umunsi umwe canke uwundi, umwe wese azotahura ko imfashanyo nyakuri izana ugushigikirwa no kuruhuka, biva ku Mana yonyene, Ishoboravyose ku muntu, irungika muri twebwe ibwina cane mu mushaha muri buri kiremwamuntu.

Twibaze dukoresheje ubwenge ku madini akwiragiza ishusho y'Imana, Uhoraho, nkaho ari imana yihora kandi ihana. Muvyukuri, nimwe mwihana ubwanyu biciye mu bikorwa bibi murungika kandi mukakira kandi bishobora kubakwegera mu nyifato y'amakosa no gukora ibinyuranye n'ivyo iyo Mana ishaka.

Dutahure mu bwenge ko irungika nyakuri kandi rihoraho ni ubwiza, urukundo, im-

babazi kandi n'imfashanyo igihe icarico cose. Ni Mpwemu yidegemvya kandi ihoraho irungika ibwina cane mu mushaha w'umwumwe wese.

Ni uwiyerekeza wenyene ku Mana kandi akiyerekeza k'urugero rwiwe rwo kurungika azi n'ingaruka aronka ibivuye kw'isoko rihoraho ryejejwe rya Mpwemu yidegemvya.

Bamwe bashobora kwibaza ivyo turungika tukongera tukakira biva he mu muntu. Icicaro c'ivyo turungika nivyo twakira mu muntu, ni ubwonko. Ni mu bwonko bwacu hibitse ibiva mu nyiyumvo zacu, ibigumbagumba, mu vyiyumviro, mu majambo n'ibikorwa. N'ivyo twuzuza ubwonko.

Ivyo twabitse mu bwonko bimeze gatoyi nk'urutonde rw'imboneshakure kuko uruhande runini biboneka nk'amashusho y'imboneshakure. Ivyo vyerekana uburebure bw'ivyo turungika. Ubwonko bwacu burungika urutonde rwabwo ku mubiri, ku nsiguro zacu, vyongeye no ku mushaha wacu.

Aho niho hava inyifato yacu, ibimenyetso vy'inyifato vyerekana umubiri wacu. Nivyo bitanga uko tugaragara ku mubiri.
Nk'akarorero, umuntu arapfuye uyu munsi, umushaha wiwe, wavuye mu mubiri, uguma ari wawundi nyene. Inyuma y'urupfu rw'umubiri, umushaha uguma ari wawundi nk'igihe yari yisubirije kandi kubaho. Umuntu yoba yarafise amategeko y'akarorero canke akaba yari afise ivyubahiro, akaba yari afise amatungo yigaragaza, ubwo nyene inyuma y'urupfu umuntu n'umushaha vyisanga ata cubahiro ata n'amatungo. Umushaha wonyene niwo ugumaho kandi ntakirenzeko. Nico gituma buri munsi tukiri kw'isi urahambaye. Kuko igiti kiguma kiryamye uko catemvye! Buri kanya nako gufata ingingo kuko buri kanya umuntu ararungika kandi akakira.

Rindi rimwe, twibukanye, kugira tubifate nkama, ibihambaye kuri umwe umwe wese muri twebwe: uko turungika intonde

zimwe canke zisa, niko inkomezi zisa navyo zigwiza mu bwonko bwacu no mu mubiri wacu. Umushaha wacu, ugizwe n'uduhimba dutoduto, nawo urabibika.

Isubiramwo ritoyi: intonde zose zikiriho muri twebwe mugitondo, zibandanya kubaho igihe umubiri wacu wapfuye ku murango. Umushaha uguma ari wawundi nk'igihe wari wisubirije kubaho. Igiti giciwe kibandanya kuguma mu bwoko bwaco bwambere. Kizira kwibaza rero ko umunsi umwe, igihe tuzopfa, tuzocika uwundi muntu. Umushaha ntaco ujana co kw'isi. Ico ujana n'urutonde ikiremwa muntu cari cawuhaye.

Akenshi twokwibaza bino bibazo: uyu munsi ndi inde? Ejo nzoba ndi inde? Abantu benshi baribaza ko ata ejo hazoza hariho kandi ko bazobandanya kubaho biciye mu maraso y'abana babo n'abuzukuru babo. Turashobora kwibaza nimba amaraso yo-

kora igikorwa nk'ico. Kuko vyoba ari akarenganyo ko abana bacu n'abuzukuru bacu bararwa intonde zacu no kuzishira k'urutonde ivyo twebwe ubwacu twiremetse.
Inyuma y'urupfu rw'umubiri wacu, tubandanya kubaho nk'umushaha kandi nkuko vyavuzwe ubwambere, igiti kiguma kiryamye nkuko catemwe. Nicogituma twategerezwa gutahura umunsi tukiriho nk'akaryo mukumenya abo turibo n'abo tuzoba ejo, kuko ninde azi aho igiti kizotembera?

"Ntucike intege, komeza!" ni ukwiyereke-za buri munsi kw'Ishoboravyose, Imana, yaduhaye amabwirizwa biciye muri Mose hamwe n'inyigisho yo ku musozi biciye muri Yesu. Ntimukihebe narimwe! N'ubwo mwoba muri mubihe bigoye cane, senge kandi musabe imfashanyo! Izere inkomezi idasanzwe yiteguye kubafasha!
Nimba uyu munsi mwumva atamfashanyo mufise, n'ejo kandi nkuko nyene, umunsi

umwe canke uwundi ishusho y'ivyizigiro, umuco mutoyi, bizobagana kandi bizokwakira muri mwebwe. Ni Mpwemu abahamagara. N'urukundo rw'Imana rubakorako. Muri uwo muco mutoya, hari ivyizigiro n'umwizero.
Ntimuzimye urwo rubeya rutoyi. Ntimucike intege, komeza! Senge kandi musabe! Ntimucike intege! Muri mwebwe, hari ubuzima buhoraho, kandi ubuzima buhoraho n'urukundo, ubwiza, imfashanyo n'ugushigikirwa. Bwama buriho. N'Imana imwe muvyaremwe vyose.
Ntimugume mubice vy'akaga vy'umuntu! Fata ingingo yo kwihangana, mu mwizero w'imbere ko umuco mutoyi uje, uvuye ahantu kandi utanga ivyizigiro, umwizero, imfashanyo no gushigikirwa.

Zigame ico civugo muri mwebwe:
Ntimucike intege, komeza! Ntimucike intege, n'ubwo mwoba muri mu munsi w'umwiza, amasaha y'agahinda, biboneka

akenshi nkaho atavyizigiro. Mw'isengesho, garukane umwizero, garukane umuco mutoyi winyegeje.
Mwizere inkomezi idasanzwe ihambaye! Mwerekeze amasengesho yanyu. Nimba muvyipfuza, subiramwo amabwirizwa cumi y'Imana kandi n'inyigisho yo ku musozi ya Yesu kandi mubisome!

Reka akore muri mwebwe kandi mukanya muraronka iryungane rije ribagana.

Ihatire kuri ivyo. Ntimubite! N'umuco mutoyi, urwo rubeya rutoyi ruzanye imfashanyo n'ugushigikirwa, k'urugezo rwaho, hamwe n'inkomezi za Kristo w'Imana, murasuzuma inyifato yanyu y'amakosa kandi muratahura uruhara rwanyu muvy'umwiza no mubitagira umwizero. Vuba, muzotahura ko aya majambo asanzwe "Ntucike intege, komeza!" ari impanuro idasanzwe yo mw'ijuru.

BROCHURES GRATUITES



Le message de la vérité :

- Des perles de vie
- Trouvez Dieu ! Où, comment ?
- Vous vivez éternellement, la mort n'existe pas
- Dieu en nous
- Vous n'êtes pas seul
- Ne baisse pas les bras ! Persévère !
- La réincarnation, une grâce de la Vie
- Le Sermon sur la Montagne, la clé d'une vie intérieure riche

Udutabo turi mu Kirundi dutangwa k'ubuntu:

- Nturere amaboko! Komeza!
- Aho babiri canke batatu bakoraniye mw'izina ryanje, ndi hagati muribo



Livres en français : www.editions-gabriele.com

Livres en plus de 20 langues ! www.gabriele-publishing.com